
# Uri Imana y'ubwiza

Jean Bosco Nkunzimana




2. Ewe Mana waremy'umuntu
Ukamuha ishusho yawe
Ukamuh'umuhezagiro
Ngw'arondoke akwire kw'isi.

3. Ewe Mana waremye vyose
Ivyo kw'isi n'ivyo mw'ijuru
Mu biyaga no mu kirere
(Ngo) Bizokwame bikuninahaza.

4. Ewe Mana uradukunda
We watanze ikinege cawe
Yezu Kristu akaza kwisi
Ngw'adupfir'adukiz'ibicumuro.

5. Nta woreka kuguh'impundu
Ku rukundo ntanger'udukunda
Ku kigongwe cawe kidakama
No ku Buntu bwawe bw'agakura

6. Ewe Mana waremye vyose
N'ushimagizwe n'abana bawe
Uhezagirwe n'ivyo waremye
Mu bihe bitagir'iherezo




COPYRIGHT 2007. COMPOSE A KAMEMENGE EN MARS 2007. TOUT DROIT RESERVE.